
# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije



# Dawidi Umwami (Igice Ca 1)


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique



Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org





©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.






Umusore Dawidi yari yahunze. Umwami sawuli yashaka kumwica. Dawidi yaba mubugararwa, mukinogo kinini arikumwe n'abagendanyi bane. Igihe kimwe, abasoda b'umwami sawuli bari hafi yabo. Ariko Dawidi aca arahunga ningoga.






Doweli, umukozi wa sawuli, abarira umwami ko abaherezi bafashije dawidi guhunga. Sawuli ategeka ko bamwica. Ariko doweli wenyene niwe yemeye iryo tegeko. Yicisha inkota abaherezi mirongo umunani na batanu n'imiryango yabo. Yari inkozi y'ikibi.
3


Umusi umwe, sawuli akurikira dawidi, aca yinjira mucobo dawidi yari yinyegejemwo n'abantu biwe. Sawuli yari wenyene.
4


Muri ico cobo, Dawidi yari gushobora kwica vyoroshe sawuli. Ariko aho kumwica, arapfukama aca acacura igipande c'umwambaro wa sawuli.
Sawuli amaze gusohoka, dawidi aramuhamagara ati: "Nacacuye igipande kumyambaro yawe, kandi sinakwishe. Umenye ko atakibi nshaka kugukorera..."
5


Sawuli avuga ko yicujije kuba yashatse kwica dawidi ariko haheze igihe gito urwanko yanka dawidi rusubira kuvyuka aca akoranya ingabo ziwe zingana ibihumbi bitatu ngo zije kwica dawidi. Ijoro rimwe, mugihe ingabo zari ziryamiye, dawidi na abishayi, umwe muri izo ngabo yinjira aho sawuli yari aryamye. N'aho nyene dawidi yari aronse akaryo ko kwica sawuli.
6


Abishayi aravuga ati: "Uno musi Imana igabuye mumaboko yawe umwansi wawe." "Ndeka ndamutobekeranishe umwampi m'umutima, kandi sinza gusubira kumurasa irindi."
7



Dawidi aranka. Atwaye umuheto wa sawuli n'inkinzo yiwe, aca ava aho izo ngabo zari. Bageze k'umusozi uri hafi yaho, Dawidi arasemerera kugira ngo sawuli amwumve. N'ubundi sawuli abona ko dawidi yari gushobora kumwica, kandi ko atabikoze. Sawuli asubira kuvuga ko yicujije kuba yashatse kwica dawidi. Ariko dawidi yari azi ko atoshobora kugirira icizere sawuli.
8

Muri ico gihe, Samweli yari yarapfuye. Niwe muvugishwa n'Imana Imana yari yatumye gusiga amavuta sawuli, munyuma Dawidi ngo abe umwami wa Isirayeli. Iyo abafilisitiya bateye Isirayeli, sawuli yakora ikintu kidasanzwe, ikintu Imana yabujije.




9

Asaba umugore kuja kuvugana na samweli, aho bari baramuhamvye. Iryo joro, sawuli aronka ubutumwa bwa samweli.




10

"… Uhoraho yasubije hasi ubutware bwari mubiganza vyawe, kandi yabuhaye uwundi, ni Dawidi. Ejo, wewe n'abahungu bawe, muzoza aho ndi, kandi Uhoraho azogabura ab'isirayeli mumaboko y'abafilisitiya." Ubwo nyene sawuli aca yikubita hasi.



11

Abafilisitiya barwanya isirayeli, abantu b'isirayeli barahunga. Abafilisitiya bica abahungu ba sawuli harimwo na yonatani, umugenzi adasanzwe wa dawidi.




12

Sawuli yari yakomeretse cane arashwe, aca abarira uwari amutwaje ibirwanisho ati: "Tora inkota yawe, umpohoshe, kugira ngo izo ntakebwa ntizize ngo zinsogote zingirire nabi." Uwo yari amutwaje ibirwanisho ntiyabishaka kuko yatinye. Maze sawuli aca afata inkota yiwe ayitako iramusogota.




13



Abafilisitiya babonye ibiziga vya sawuli n'abahungu biwe baca babimanika k'uruhome rw'igisagara bari bigaruriye. Ab'isirayeli bamwe bamwe babagiriye impuhwe bagarukana ivyo biziga vyabo baca barabiturira imbere yo guhamba ibisigarira vyabo muri isirayeli.

14



Dawidi amaze kwumva izo nkuru zibabaje, aca ararira, afata ikigandaro kandi yisonzesha gushika k'umugoroba, kubwa sawuli, umuhungu wiwe yonatani no kubw'abantu b'ab'isirayeli bari bicishijwe inkota.



N'aho sawuli yari yagerageje kwica dawidi, dawidi wewe yarubaha sawuli, n'aho dawidi yari yamaze gusigwa amavuta n'Uhoraho. Maze Imana yubaha Dawidi, imugira umwami mugishingo ca Sawuli.





Dawidi Umwami (Igice Ca 1)

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

1 Samweli 24-31; 2 Samweli 1-2

"Guhishuririrwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130



# Iherezo

20 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16